Tubeho mu buryo buhimbara Imana (Igice ca 2)

Bishingiye ku kigabane ca 12 c'igitabu *Mu vy'ukuri Bibiliya yigisha iki?* Ico gitabu kiraboneka kuri jw.org.

INTUMBERO: Gusuzuma ivyo wemera n'igituma uvyemera, gusuzuma ivyo Bibiliya yigisha no kuraba ukuntu wosigurira abandi ivyo wemera.

TWOBA DUSHOBORA GUHIMBARA IMANA NAHO SHETANI ATUGERAGEZA?

1 SUZUMA IVYO WEMERA

Kubera iki hari abovuga ko bidashoboka?

Kubera iki hari abovuga ko bishoboka?

Wewe uvyibazako iki?

Kubera iki uvyibaza gutyo?

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

2 SUZUMA IVYO BIBILIYA YIGISHA

Wa mugabo w'umwizigirwa Yobu yarananiye ibigeragezo vya Shetani.

(Raba ikigabane ca 12 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha*, ingingo ya 6-12.)

Soma Yobu 1:10, 11.

Shetani yagerageje gute gutuma Yobu areka kuba umugenzi wa Yehova?

Soma Yobu 1:22; 27:5.

Yobu yavyifashemwo gute igihe Shetani yamugerageza?

Nka kurya igiti gifise imizi ishika kure mu kuzimu kidahenurwa n'ibihuhusi, ni ko tuzoshobora kwihanganira ibigeragezo nimba ubucuti dufitaniye na Yehova bukomeye

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

Shetani ashaka ko ureka gukorera Yehova. Ariko urashobora kwihangana ubifashijwemwo na Yehova.

(Raba ikigabane ca 12 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha*, ingingo ya 13-16.)

Soma Imigani 24:10 na 1 Petero 5:8.

Tumenyeshwa n'iki ko Shetani ashobora kutugerageza mu buryo bwibonekeza (nk'uruhamo) canke bwihishije (nk'ugucika intege) kugira tureke kuba abagenzi b'Imana?

Soma Yobu 42:12-17 n'Imigani 27:11. (Raba ishusho itangura.)

Tumenyeshwa n'iki ko Yehova ahimbarwa igihe tugumye turi intahemuka kuri we?

Kumenya ko ingingo ufata zishobora kunezereza Yehova bituma wiyumva gute?

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

3 SIGURA IVYO WEMERA

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: . . .

Umuntu ashikirwa n'ingorane kubera ikintu kibi aba yarakoze.

WOSHOBORA KWISHURA UTI: . . .

Abantu benshi ni vyo biyumvira, ariko jewe si ko niyumvira kubera ko . . .

_____

_____

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

_____

Ufise ku muzirikanyi ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

_____

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: . . .

Imana ni Mushoboravyose, nta co abantu dushobora gukora ngo tuyinezereze.

WOSHOBORA KWISHURA UTI: . . .

Ni ivy'ukuri ko Imana ari Mushoboravyose. Ariko ndemera ko dushobora kuyinezereza kubera ko . . .

_____

_____

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

_____

Ufise ku muzirikanyi ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

_____

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania